# ***BURUNDI*: IVYAHA BIKOMEYE VY'IHONYAGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU NYUMA Y'IBITERO VYAHUNGABANIJE UMUTEKANO**



## *IGIHE VYABAYE*

Ibitero bihungabanya umutekano n'ibitero vy'abarwanyi batamenyekanye, cane cane ibikorewe abenegihugu, vyariyongeye kuva muri Ruheshi 2020 mu ntara nyinshi z'igihugu

## *IVYAHA BIKORWA KENSHI*

Ubwicanyi ndengerabutungane, inyuruzwa n'izimanganywa, ry'abantu, ihagarikwa n'ifungwa rinyuranywe n'amategeko n'ivyaha vyo gusinzikarizwa ubuzima no gufatwa bunyamaswa

## *ABO BIKORERWA*

Umuntu wese yikekwa ko yoba akorana canke ashigikiye imirwi y'abarwanyi, harimwo n'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Leta (cane cane abo muri CNL), abahoze mu gisoda ca kera (ex-FAB), abahungutse n'abo mu miryango yabo, cane cane abagore, bagirizwa kubashigikira

## *ABABIKORA*

Abakozi b'iperereza (SNR), abapolisi bakora mu migwi inshizwe gutabara mu maguru masha* n'imbonerakure



## *UKURWANYA UBUKOZI BW'IKIBI N'ITERABWOBA GUTEGEREZWA GUKORWA MU BURYO BWUBAHIRIZA AGATEKA KA ZINA MUNTU*

Ubuhamya :

***[...] Bagumye bamboshe, bangumizako n'ibipingu gushika bukeye. [...] Yarankubise kw'igufa ryo mu mugongo [...] Ivyo baguma banyagiriza bariko barankubita yari uko nemera ko ndi mu mugwi w'abarwanyi, ko nari nagiye mu [X] kurondera abarwanyi baze gukuraho ubutegetsi, ko nariko ndagerageza gutembagaza ubutegetsi***

* Groupes mobiles d'intervention rapide

Vyakozwe itariki: 16 Nyakanga 2021 N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx